# 155: Ndatangara nshits' imbere

1. Ndatangara nshits' imbere
Y'Umunyanazareti,
Nibaza ntangaye cane
Icamunkundishije

Ref: N'igitangaza, n'igitangaza,
Ni yo ndirimbo yanje;
N'igitangaza, n'igitangaza
Yuko Yesu yankunz' atyo.

2. Ni kubganje yasenz' ati
Ntibibe nk' uko ngomba;
Ivyiwe si vyo vyamwishe,
N'ivyaha vyanje gusa.

3. Nibuk' ingene yabize
Urwuya nk' amaraso;
Ivyo vyabaye kubganje
Rya jor' i Getsemane.

4. Yikorey'ivyanje vyaha
Abihindur' ivyiwe;
Naho w'ata co yakoze:
Vyose yarabizize.

5. Yangiriye mu gishingo
Ngo nze nkir' urwo rupfu,
Ni naja mw ijuru na ho
Nzatur' uko yankunze.

Visit us at burundi.indirimbo.com